# TUBUNGABUNGE AMASHAMBA N'IBINYABUZIMA BIYABAMWO BITUMA UMWIMBU W'IBITERWA WIYONGERA

Eugène Sinzinkayo & Longin Ndayikeza

Office Burundais pour la Protection de l'Environnement, Bujumbura, Burundi

## Imigenderanire hagati y'amashamba n'ibinyabuzima bifasha mw'irondoka ry'ibiterwa

Amashamba cimeza n'indimiro bifitiye akamaro kanini cane ibinyabuzima kuko biharonka uburaro, ibifungurwa, bikongera bikaharondokera. Muri ivyo binyabuzima harimwo ***isazi zo ku mashurwe*** zifasha mw'ibangurirwa ry'ibiterwa mu gukwiragiza intanga ngabo zizikura ku duce tugabo zikazijana ku duce tugore tw'amashurwe y'igiterwa kimwe canke y'ibiterwa bitandukanye ariko bisangiye ubwoko, ibiterwa bikabona kurondoka, bikama imbuto nziza, umwimbu na wo ukiyongera. Ico gikorwa kitabayeho ibiterwa vyinshi vy'amashurwe ntivyoshobora kurondoka ndetse bimwebimwe vyohona burundu. Hariho rero ugukeneranira hagati y'izo sazi n'ibiterwa kuko kimwe kitahari ikindi nticoshobora kubandanya kibaho.



*Ishamba rya Kibira turikesha udukoko dufasha mw'ibangurirwa ry'ibiterwa*

## Akamaro k'isazi zo ku mashurwe

Isazi zo ku mashurwe zifise akamaro kanini cane ku mibereho y'ibindi binyabuzima, mu kubungabunga amashamba, mu kuduza umwimbu n'ubutunzi no mu kubaho neza kw'abantu muri rusangi. Umwimbu ushimishije w'ibiterwa vy'amashurwe tutibagiye ibiterwa mbumbarugo nk'ibiharage, ubwishaza, ibigori, eka n'ivyamwa hamwe n'imboga zitandukanye tuwukesha isazi zo ku mashurwe ziba zafashije mw'ibangurirwa ry'amashurwe.



*Isazi yo ku mashurwe iriko iraro-ndera ivyo ifungura ku mashurwe*



*Ibiharage, ubwishaza n'inyanya vyavuye mu mashurwe yabanguriwe neza*

## Ibibangamiye isazi zo ku mashurwe

Uguhona kw'amashamba bitumwa n'ibikorwa vy'abantu nk'ibikorwa bijanye n'uburimyi, imiriro ya Nyakanga, ikoreshwa ry'imiti yirukana udukoko dutera imirima, uguhumbira ibikomoka mu mashamba n'ibikorwa vy'ubwubatsi ni bimwe mu bituma isazi zo ku mashurwe zihona bigatuma kandi umwimbu w'ibiterwa ugabanuka.




*Ibikorwa bibangamiye isazi zo ku mashurwe zifasha mw'irondoka ry'ibiterwa*

## Tubungabunge amashamba cimeza n'isazi zo ku mashurwe kugira turwize umwimbu

Ukubungabunga amashamba ni vyo bituma dushobora gukingira ibinyabuzima na cane cane isazi zo ku mashurwe zifasha mw'irondoka ry'ibiterwa no mu kurwiza umwimbu. Kubera ivyo, duhamagariwe twese kurwanya imiriro ya nyakanga, guteza imbere ubuhinga bwo kurima budahungabanya ibinyabuzima na canecane isazi zo ku mashurwe, kurwiza ibibanza isazi zo ku mashurwe zishobora kurondokeramwo mu gutera ibindi biti vy'amashurwe ku nkengera z'imirima no mu gukuranya imishike y'igihe gitogito n'imirima, kwirinda gukoresha mu mirima imiti ifise ingaruka mbi ku binyabuzima, kugabanya umurindi wo guhonya ibiti bikoreshwa mu bwubatsi no mu guturira amakara yo gucana no gutunganya neza ibikorwa vy'ubwubatsi ku buryo bidahungabanya ibinyabuzima na cane cane isazi zo ku mashurwe.

***Office Burundais pour la Protection de l'Environnement***
**B.P.2757 Bujumbura, tel. (257)22234304**
**Site web : http://bi.chm-cbd.net**

Belgium partner in development
.be Point Focal National Belge pour l'Initiative Taxonomique Mondiale
CEBioS
museum